Intangamarara

Ababikira bakozi bigana Umuryango Mweranda w'i Nazareti

Ababikira bakozi bazohimbaza imyaka 40 bamaze barangurira ubutumwa muri Afrika hagati ya benewacu mu Burundi.
Iki gihe kivyura muri twebwe incuro igihumbi akanyota, inkumbu, akanyamuneza n'umwizero, bikadufasha gukengurukira Imana, kuri iyo ngabirano y'umurengera yatuvotoreye. Ihwaniro ry'ababikira bakozi hamwe n'imibano rukristu i Nyamurenza, Rwegura, Gitega na Bujumbura ni ikimenyetso c'ubunutu bwayo bwamaho yatuvotoreye.

Uwo muryango wacu w'Abihevyi, urafise uwo ukomokako. S'uwo utigera ugira akanovera n'akanyamuneza k'ivuka, ahubwo udutuma gukura no gukwira hose aho isi ikagira. ; kugira ngo tumubere ivyabona mu kumushingira intahe dufise akanyamuneza ko kuba uwa Kristu. Uwo mupatiri ni umuhimbazwa Arkanjelo Tadini, umusaserdoti asanzwe, yitonda, akomeye ukubaye, azi gushira iyo Imana ishize, akemera kugenzwa kandi akarongorwa na Kristu.

Uyu muryango wacu watanguye mu 1900 aho Padiri Arkanjelo Tadini yegeraniriza hamwe imikangara y'urwaruka rw'abigeme kugira ngo biture Imana ; agaheza akabaha icivugo ngenderwako kidasazwe kandi kibega kijanye n'ivyo bihe :

- Kuvugira Kristu mu mirimo yabo mu bikorwa vya misi yose, mu bibanza vy'ibikorwa no mu gusabikanya igikorwa nyene icarico cose
- Twese duhamagariwe kwinjira muri iyo ntumbero y'igikorwa atari gutegeka gusa ariko tube abakozi mu bandi bakozi, tukigira abasuku b'abandi, twigana Kristu mu bikorwa nkuko yabigize mu myaka 30 akoresha iminwe yiwe nk'umuntu, akiyumvira, akoresha ishaka ry'umuntu, agakunda bose n'umutima w'umuntu.

Ingene vyagenze

Umuryango w'Ababikira bakozi hano i Burundi ni igikorwa ca Mutima Mweranda. Inama Nkuru ya Vatikano II yarekuriye zina mukristu wese kumenyesha Imana. Imiryango y'Abihevyi myinshi ica itangura kuba abamisiyonari kw'isi yose. Natwe ni kwo kw'uko.
Itorwa rya Nyenubweranda papa Polo wa VI, ryabaye inyitangizo ya Diyosezi y'i Brescia, mu kumugabira abasaserdoti n'ababikira ngo bagende kuba abavuga butumwa muri Afrika. Ni kwo guca basaba ababikira 3 mu muryango wacu biyumvamwo kuba abamisiyonari.
Niho rero icegera na kiremesha wa Mama mukuru w'Umuryango mama Jesuina yaca agamburuka adahigimye, ashira iyo icipfuzo n'indiganizo vya Diyosezi bishize mu kurungika ababikira bakozi 3 mu Burundi kuba abamisiyonari.
Mu ntango, hari hategekanijwe ko abo babikira bazorangurira ubutumwa i Kiremba ca Ngozi kumwe n'iyindi miryango 2 nayo nyene yarungitswe na Diyosezi ya Brescia nk'ingabire batuye Papa Polo VI kavukire ka Brescia. Bamaze gushika, Musenyeri MAKARAKIZA yari arongoye Diyosezi Ngozi ico gihe, yashimye kubarungika kurangurira ubutumwa muri Paruwasi Nyamurenza. Biraheza biba uko mu ntumbero y'ubugamburutsi twama dufitiye abungere.

Gurtyo rero, mu kwezi kwa myandagaro 1966, ababikira bakozi barashika i Nyamurenza bugurura umubano mushasha.
Dutereze amaso inyuma gatoyi. **Mu kwezi kw'indwi 1966,** mw'i Paruwasi ya Boticino Sera, ababikira bakozi 3 bambere b'abamisiyonari mu Burundi, niho baronka umusaraba, ikimenyetso c'uko barungitswe mu Misiyoni. Bari bakikijwe n'isinzi ry'abantu: abakuru b'intara, abihebey'Imana n'abakristu benshi. Eka ishengero ryari ryakinje! Abo babikira ni mama Calawudiya Tognazzi, mama Tereza Ferrari na mama Vigitoriya Cenedese. Muri abo bose, mama Vigitoriya ni we wenyene akiriho.

Itariki 16/08/06, mama Tereza na mamaVigitpriya, niho bururira indege; bafatanya urugendo na Nyakwubahwa Musenyeri Morstabilini w'i Brescia, abaherekeje kugira aramutse kandi abandi ba misiyonari biwe bari i Burundi. Bari kumwe kandi na Nyakwubahwa Musenyeri Albino LUCIANI yahavuye aba papa Yohani Polo I.

Muri Kigarama 1966, mama Kalawudiya Tognazzi arabahamvya i Burundi, baraheza bugurura umubano ukwiye i Nyamurenza, mu Burundi, Mutima wa Afrika. Uwo niwo mubano wa mbere w'ababikira bakozi mu misiyoni.
Mu ntango, baciye bahera ku butumwa bwihutirwa nkenerwa ku bantu: kubungabunga amagara y'abantu no kwitwararika ivyerekeye inderabana.

Ku wa 22 rusama 1968, Mama mukuru w'Umuryango yaraje kubaramutsa. Yaje azananye n'abigeme babiri, kavukire k'i Brescia ngo bunganire ababikira mu butumwa. Abo bigeme baca batanguza uruganda rwo kubarira no kujisha imipira n'imashini, bavyigisha abigeme n'abakenyezi bavyipfuza.

Ku wa 9 kigarama 1969, umuryango wararungitse umubikira wa kane mu mubano, mama Inyasiya Ferrari, azorangurira ubutumwa muri Yaga Mukama; n'ubu aracari kumwe n'abarundi abihebera.

Muri iyo myaka, harongerekanye cane ibikorwa vy'ubutumwa bifatiye ku bukene bw'abantu b'i Nyamurenza: kumenyesha ijambo ry'Imana, kwigisha gusoma no kwandika, kwitwararika amagara y'abantu, kubigisha kugira isuku n'ibikorwa bizamura iterambere kuri zina muntu wese. Bwabaye ubutumwa ntasubiririzwa mu banyagihugu b'i Nyamurenza n'abo mu micungararo yaho.

Muri iyi myaka 40 tumaze mu Burundi, ababikira batari bake, barahakurakuranywe gushika uyu musi nk'abamisiyonari; n'abo n'aba: mama Adalayidi Giussani, mama Dominika Cerutti, mama Fabiyana Apostoli, mama Erminia Apostoli, mama Lusiyana Causetti, mama Yozefina Cittadini, mama Flaviyana Gatelli, mama Rita Bonardi na mama Ester Zerla.

IMIBANO

Nyamurenza

Ni wo mubano wa mbere mu Burundi w'ababikira bakozi kandi iguma ari yo "nzu mvyeyi"y'Umuryango wacu mu Burundi. Kuri iryo shimikiro, niho havukiye iyindi misiyoni ifatiye kuri iyo mirimo bakora hagati mu bantu no mu micungararo yaho ibakikije.
Nyamurenza iri mu buraruko bw'Uburundi, ku nkengera, igahana urubibe n'Urwanda. Nyamurenza iri muri Provensi na Diyosezi Ngozi. Ni i Paruwasi nini cane, irmwo abakristu benshi. Uko umwaka utashe hama hari abakatekumeni benshi bakuze bitegurira kuronka i Batisimu.
Nyamurenza ni ahantu heza gose, habereye ijisho; hashushe bisanzwe, hari akayaga keza, hari ku burebure bwa m 1740 ku rugero rw'ikiyaga. Kuva mu 1966, harubatswe vyinshi kandi ibikorwa n'ubutumwa biguma vyongerekana bigatuma riba ihwaniro ntabanduka ku bantu baba mu mitumba kuko bahasanga ibitari bike bibunganira mu bukene bwabo.

Rwegura

Ni wo mubano ugira kabiri mu Burundi, wuguruwe ku wa 25 mukakaro 1977. Rwegurra itwereka ubudasa bunini na Nyamurenza cane cane mu mico, imibano n'imigenzo. Hariho ba ntahonikora benshi. Ni hafi y'ikibira, hejuru y'i m 2300 hejuru y'ikiyaga, hejuru y'uruzi Gitenge. Ihana urubibe n'Urwanda utera umanuka, mu ntara ya Kayanza muri Diyosezi ya Ngozi.
Muri iyo myaka iheze, ico kibira carabaye ubuhungiro bw'abanyarwanda, abarundi n'abakongomani kubera indwano y'urutavanyako. Mu nyuma n'abarwanyi bahavuye bakigira uburaro, baracihariza, bakibamwo. Rwegura n'akarere ka mbere karimwo abantu benshi bakenewe gufashwa.
Ntiwumve ubwo bukene tuvuga, Rwegura n'akarere kabereye ijisho: ubwiza bw'imitumba yaho, isharijwe n'imirima y'icayi n'ishamba riyagayaga. Ivyo biterwa biraha agaciro kabereye Rwegura; nayo

iremba ririyo rituma Rwegura ikayangana, umuntu ahagiye nawe ntahibagira. Ubwiza bwaho n'igitangaza!

Gitega

Itariki 10/09/1989, niho hugururwa umubano w'i Gitega. Gitega ni igisagara cahoze ari umurwa mukuru w'Uburundi. Hari ubuzi bwinshi, amamangazini n'amashure menshi hamwe n'ubudandaji burengeye kuri ubwo mu mibano duhejeje kubiganira. Harateye imbere, ariko wihweje neza urabona igice c'abantu bateye imbere cane n'ikindi kinini c'abakene cerekana ubworo bushasha bwo mu bisagara.

Gitega ifise imico yifashe nk'iyo mu bisagara nyene vya Afrika. Gitega , kuvyerekeye indero, iri mu bisagara bifise amashure menshi ategura kazoza k'igihugu mu myimenyerezo y'ubuzima bwinshi bw'igihugu. Ugisangamwo urwaruka rwinshi; ivyo bica vyerekana ko ubutumwa bwa mbere bwa Gitega ari ukwitwararika inyigisho ibereye.

Niho na twebwe dufise rero irerero ino mu Burundi kungira ngo abigeme bitegurira kuba ababikira bakozi baronke uburyo bukwiye bwo kunonosora ubuzima bw'abihevyi, kwumviriza n'ukwiga Ijambo ry'Imana muri iyo ntumbero.

Bujumbura

Ni igisagara gikuru c'Uburundi. Haheze imyaka 5 uwo mubano wuguruwe ku 20/03/2001. Uwo mubano uri hagati mu gisagara. Ufasha iyindi mibano y'i Burundi kuronka aho bashikira ; kubunganira mu vyerekeye ibisumwa dushobora gusanga gusa mu bisagara binini ariko bikenewe mu mibano yacu ; gutunganya ivyerekeye impapuro mu biro. Muri uwo mubano nyene, niho usanga uruja n'uruza rw'abamisiyonari, abihebey'imana n'abalayike, abagenzi b'Umuryango wacu, banyuragiranwa bururuka canke bafata indege. Umubano uraheza ukabunganira mu ngorane bahura.

Hari uburyo bwinsho bwo gushobora kubandanya ivyigwa mu mashure, ayisumbuye na kaminuza.

Kuva mu ntango y'uwo mubano, ababikira barashatse kugendera akaranga k'ababikira bakozi mu gusangira uburuhe n'akanyamuneza k''igikorwa n'abandi bakozi. Gurtyo umubano wugururira ubugenzi n'abakozi abaribo bose bahereye kubo basangiye igikorwa kugira baronke uwo bayaga, baganyira, banezerwa hamwe, basenga hamwe gurtyo Ijambo y'Imana rikanyengetera ridahogoye kurya k'umwambiro no mubo tudasangiye ukwemera kuko bose ari agashusho k'Imana.

Bujumbura iratandukanye n'izindi ntara. Imico yaho yegereza cane cane iyo mu bisagara vya buraya. Uhabonye ugaheza ukibuka abantu ba ruguru, niho umuntu abona vy'ukuri itandukaniro rinini hagati y'aboro n'abatunzi : umutunzi aguma yongereza umworo nawe akaguma asubira inyuma.

Muri ico gisangara niho usanga ubworo butindi atari gusa ubwo ibintu ari ko bwo mu mico kama, bumwe butitura zina muntu. Urumva rero abafashwa reo ntibabuze ku mpande zose cane cane umukenyezi, urwaruka eka n'abandi kuko abakene tubasanga hose aho tugendera.

Akaranga

Ababikira bakozi b'Umuryango Mweranda w'i Nazareti, baca mu makanda y'Umuvyeyi wabo muhimbazwa Arkanjelo Tadini. Ubutumwa bwabo ni kwitwararika inyigisho mu bakozi, bahereye mu ma paruwasi aho baba, gukurikirana abakozi abaribo bose n'ibishomeri bahereye mu rwaruka. Nico gituma naha mu Burundi, muzosanga ababikira bakozi bamwe basangira akanyamuneza n'umwizero vy'abakozi, amaganya n'ingorane bashikira abakozi mu buryo ubwari bwo bwose mu kubabera umuvukanyi mu kazi, agafatana urugendo nabo.

Umubikira mukozi hagati y'abandi bakozi, arakora mugabo akamera nk'ikimenyetso c'inkuru nziza isemererwa atari mu majambo yamara mu gusangira ubuzima : gusangira guharanira agateka katewe umukozi n'igikorwa uko kiri cose gikoranywe ubuhinga, ubwenge n'urukundo. Umubikira mukozi rero ameze nk'urumuri rudatinya kwerekana naho ikibi kiri, agaha agaciro igikorwa n'umukozi wese.

Yezu Mukozi i Nazareti ni we karorero kacu : mu myaka 30 yabahayeho nk'umuntu asanzwe, yicisha bugufi i Nazareti, yitangana ubwira kandi agakunda igikorwa.

Twisunga kandi ivyiyumviro n'imigabo y'umuvyeyi wacu Arkanjelo Tadini we yatubwiye ati : « Imana ntibasaba kwambara urugori rw'amahwa, ibasaba ahubwo kudatinya uburuhe n'intuguta » ; « Imana

ntibasaba iminwe itobojwe n'imisumari, ishaka ariko iminwe yakomantajwe n'ibikorwa » ; « Mu bikorwa vyanyu, umushaha n'ubwenge vyanyu, ni muvyerekeze ku Mana, ni ho ibikorwa vyanyu vyose vyohinduka igisabisho c'intahengeshanya ».

Mu buzima bwose bw'umuhimbazwa Tadini, yabaye ikimenyetso kimenyesha inkuru nziza mu bakristu biwe, abereka ko injili itigera itandukana n'ubuzima bwa misi yose : ahubwo iraburongora, ikabumurikira ikongera ikabutagatifuza. Umukristu ni umukristu ahari hose mu bihe vyose : mu kazi, mu muryango nkuko ari muri Ekleziya.
Ukwemera n'ubuzima bwa misi yose ntivyigera rero bitandukana, bigize urunani, ubumwe budacika. Gurtyo ni ho gusa dushoborra kwinovora iteka, ubukuru n'ubwiza vyo kuba abantu bashitse n'abakristu b'ukuri.
Tadini yarashoboye mbere no kurengera ubukene bw'abantu : ntiyatanze akazi gusa, ariko yahaye umutima akazi, yerekana n'akarorero tworabirako mu kazi, YEZU.Ababikira bakozi, muri iyo myaka 40 yose bamaze mu Burundi, barondeye kwubakana n'abarundi mu kubaronderera iterambere nyakuri cane cane aboro n'abakene haba ku mutima haba ku mubiri.

Twebwe abamisiyonari, duhamgariwe kugendera Inkuru Nziza mu buryo buboneka, gushingira intahe Urukundo ntangere kandi rutagira imbibe Imana Data ikunda zina muntu wese.
Ng'ivyo ivyo twigishijwe, ng'ivyo ivyo tugendera : Yezu Kristu yigize umuntu « mu kwigira umusuku » ku bw'urukundo, ngo aduhe akarorero, ngo adukize, atwiyegereze, atwigishe artyo inzira ijana ku Mana, tumwigane mu gukunda abantu bose.

Umugambi w'ubuzima Tadini yadusigaranye, twebwe babikira bakozi, warakiriwe mu buryo busanzwe na hano mu Burundi mu mibano yacu tugerageza kugendera ubwihevyi bwacu.
Yezu yarahamagaye, n'ubu akiriko, urwaruka rwinshi rw'abarundi ngo dusangire Umuryango, tube abavukanyi n'abamisiyonari hagati mu biwabo no mu zindi ntara. Nico gituma duhimbaza yubile ya Mama Yanwariya NAHIMANA y'ubwihevyi muri uno muryango : 25/07/1981 – 25/07/2006.
Ihamagarwa ryiwe ryabaye isoko ry'imihezagiro myinshi ku Muryango w'Ababikira bakozi bigana mu bikorwa Umuryango Mweranda w'i Nazareti : ihamagarwa ry'abandi bigeme benshi ryabaye akaryo ko kwinovora ingabire y'ubutumwa bw'inkuru nziza itagire imbibe.

Ubutumwa

Intimatima y'ubutumwa ni umubano w'ababikira bakozi : ni ikibanza cakira bose, ikibanza c'irerero, c'iterambere ry'umutima n'ukubana neza. Ugufashanya, kugira umutima witwararika abandi, kuba ababikira bugurukiye bose mu karorero k'ubuzima busanzwe nk'ubwo mu muryango ukundana, kwifata ruto no guha ikibanza abandi, ngako akaranga uzobona winjiye mu mubano w'ababikira bakozi i Nazareti.
Ababikira bakozi bamana n'abantu, bagasangira ubuzima bw'umutima n'ubw'umubiri, ibikorwa, bihava bivamwo imigambi y'iterambere, inyigisho ifatiye ku vyipfuzo vy'abantu, yumviriza ubukene n'imyitwarariko yabo.
Ibikorwa vyacu vyose rero bikomoka mu biyago n'ukwimviriza ivyipfuzo, ubukene bw'abantu bose cane cane abakozi canke abarondera akazi, kugira bibunganire.

Kumenyesha inkuru nziza

Ku mubikira mukozi, imvo nyamukuru y'ihamgarwa ryiwe ni kujana Yezu Kristu mu bantu bose, mu buzima bwa misi yose, duhereye mu gihari c'abakozi bo tunga n'umwitwarariko wacu.
Kumenyesha Kristu kw'imibano yacu hano mu Burundi yiyerekana mu bikorwa vyacu vya misi yose aho duherereye, aho tuba n'aho tugendera.
Turamenyesha Kristu, mu kwigisha abantu, abato n'abakuze, gusoma no kwandika ; muri Yaga Mukama ya Paruwasi ; mu gufasha abana n'abakuze kwitegurira kuronka amasakramentu : ibatisimu, isakramentu ry'ikigongwe, Ukaristiya, Gukomezwa muri Mutima Mweranda, kwubaka rukristu. Ivyo biraboneka kandi mu gutegurira abantu gihimbaza neza imisi mikuru, guhimbaza Umusi w'Imana, kwigisha kuririmba, gusengera hamwe.

Muri ico gikorwa, dufashanya n'abamenyesha-Mana, abavyeyi n'abandi bantu bose bitwararika ineza ku Barundi bose.

Mw'ishure

Hambavu yo kumenyesha inkuru nziza, ababikira bakozi ntibibagira kwitwararika iterambere nyakuri mu gutegurira urwaruka kazoza keza.
Turahimiriza urwaruka kuja mw'ishure ngo bungure ubwenge, bwuguruke, tugafasha n'abakene dushoboye kugira bige mu mashure. Abadashoboye gushishikara mu mashure ya bose y'igihugu, turafise abashure y'imyuga abafasha kwiga umwuga uzobatunga. Muri ayo mashure abahungu n'abigeme badashoboye gushishikara mu mashure ya Leta, turabigisha indero runtu, kubarira, kubaza, kujisha n'iminwe canke n'imashini, kudesa, guharura, isuku, gutunganya umuryango, guteka, kuvyara ku rugero abo bashobora kurera, isuku…
Muri ico gikorwa, dufashwa n'abigisha bavyiteguriye kandi babishoboye ku buryo urwo rwaruka rwacu ruheza rufise ico rwitwaje ngirakamaro mu buzima bwa none.
Ivyo vyose bimurikirwa na Kristu, we arangura vyose kumwe natwe.

Amagara y'abantu

Umubikira mukozi ararangura kandi ubutumwa bwiwe hagati ya benewabo, cane cane bamwe Kristu yita « abagenzi », akaba hafi yabo.
Yezu yaritwararika cane abafise ububabare bukomoka ku ngwara z'umubiri ; mbere akanabagirira ibitangaro bagakira kugira ngo abaremurure ubwo bubabare. Benshi bari aboro n'abakene ariko bafise ukwemera gukomeye.
Natwe ababikira bakozi ntitwirengagiza amagara y'abantu tubana n'abandi batwegereye.
Mu mibano y'i Nyamurenza no mu Rwegura, turafise amavuriro matoyi ya kijambere. Muri yo, turakira abagwaye takabavura, abandi baremvye tukabagumizaho kugira tubakurikirane ; nayo ibiturengeye turaheza tukabajana mu bitaro bikuru bitwegereye. Igitigiri cabo tuvura ku musi ni umurengera ugereranije n'ahandi. Umubikira avura akorana n'abandi bavuzi canke abaganga bakuru baba bakavukire canke ba kavantara. Ariko mu mavuriro yacu, umubikira niwe arongora ico gikorwa akakiringaniza ; ivyo vyose akabigirana urukundo, akamwemwe n'ukwitanga atiziganya biranga umwihevyi.

Hambavu y'amavuriro yacu, hama hariho « Indera bana », aho abavyeyi bibugenze basuzumisha ivyerekeye indwara canke bapimisha imbanyi tukongerako cane cane ivyerekeye amagara y'abana. Naho nyene ni umubikira aharongoye agafashwa ico gikorwa n'abandi bavuzi. Baraheza bagatanga inyigisho zerekeye indwara zikarira abana n'ingene bozizirinda, kubacancisha, ivyerekeye intungamagara y'abavyeyi n'abana, ingene bagaburira abana, gucutsa n'ukuvyara ku rugero. Ni benshi abana bahavukira kuko abavyeyi barizigira cane uwihebey'Imana bagakunda ingene abakirana urukundo.
Hariho kandi n'abana bagwaye imbeho kugira basubire kuronka igikuriro gikwiye ; abagwaye Kwashi, barigisha abavyeyi ingene bobafungurira ingaburi ikwiye.

Ibikorwa

Abatuzi batwita ababikira bakozi kukaba nkako n'izina ryacu riranga vy'ukuri akarangamutima kacu mu kwitwararika umukozi uwari we wese n'ivyerekeye akazi. Umuhimbazwa Tadini yabishatse uko, aturungika hafi y'abagabo n'abagore ngo dukorane mu buzi ubwari bwo bwose, dusangire uburuhe, imyitwarariko, ububabare n'akanyamuneza k'igikorwa gikoranwe urukundo n'ubuhinga. Abo nibo rero turungitsweko, abakozi n'abakoresha.
No mu Burundi, ababikira muzobasanga mu buzi basaba nk'abandi bakozi : mw'ihinguriro ry'icayi, mu ma koperative nka Mutoyi, nko mu Mashirahamwe y'abikorera utwabo. Ntibatinya ku ruha, kubira akuya, babikorana ukwemera, urukondo n'ubuhinga, bakarera abandi bakozi bakorana ngo bakunde igikorwa kuko si umuvumo ni iteka ; bagasubiza igikorwa agaciro kaco, bagategurira hamwe n'abandi bakozi kazoza keza naho hoba mu ngorane bakirinda ingeso mbi z'uburyarya n'akarenganyo bishobora gushika.
Igikorwa ni ishure, nka kurya kw'i Nazareti, aho Yezu yize kwigira umuntu bishitse, akabaho yicishije bugufi, akitanga kugira asubize agaciro ubuntu, yigiyeho kurya ivyo ubiriye akuya, n'ugucudika

n'abandi, imigenzo twigishwa cane cane n'ugusangira igikorwa ; aratwigisha kandi guha agaciro utuntu twose tudushikira mu buzima bwacu bwa misi yose.

Urukundo

Polo mweranda atwigisha ko ibintu 3 bihambaye ngenderwako mu buzima bwacu kandi bizokwamaho ari : ukwemera, ukwizigira be n'urukundo ariko igikuru muri ivyo bitatu ni URUKUNDO.
Natwe ababikira bakozi twerekana urwo rukundo muri benewacu mu gusabikanya n'uwuje atugana mu buryo duhambije.
Abantu batari bake baza badusaba imfashanyo, abandi bakeneye uwubumviriza gusa : abana, impfuvyi n'abapfakazi, abarondera akazi , abakozi, abasaza basigaye bo nyene, abakuru n'abato, aboro n'abatunze ; eka uwari we wese yumva ko aukeneye.
Turavye abaza badusaba imfashanyo, si imisi yose dushobora kunezereza abaje batugana bose kuko uburyo budakwiye. Ariko dusabikanya ivyo dufise mu kanyamuneza kiretse ico tudafise. Mugabo urukundo rwo rwama rwuzuye mu kubakira, tukabumviriza, tugasangira akanyamuneza canke umubabaro, tukabaremesha, tukababaheka no mu gisabisho. Turabatumira no gusengera hamwe ngo dufadikanye mu gusaba cane cane nk'abarondera akazi batabaje Umuhumbazwa Tadini.

Birahimbaye cane iyo ubonye ingene abakristu bigiraho nabo nyene gufashanya mu mibano rukristu yabo, bagakora mbere mu bworo bwabo ngo berekane umutima wo gusabikanya, gushigikirana cane cane mu bihe biryoshe no mu bigoye.

Ni igikorwa c'urukundo kandi, kuraba abari mu munyororo (aha twibuke nyakwigendera mama Teresa Ferrari ingene yabakunda gushika aho abita mbere bagenzi biwe bo muri kaminuza), gufasha impfuvyi n'impunzi zabaye nyinshi muri iyi myaka y'indwano idahera ; nabo ni benshi baza bagana irembo ryacu. Ni ikintu gihambaye kubona mu muntu wese ababara atari ubuntu gusa mugabo kumubonamwo umwana w'Imana, umuvukanyi, Yezu asubira kubambwa ku musaraba gurtyo bikadusaba kumwitaho n'urukundo rwinshi.

Ubutumwa bwo gusozera

Imyaka 40 ababikira bakozi barangurira ubutumwa mu Burundi, ni intambwe nini, ni urugendo rurerure rugishishikara hagati y'imibano, y'imiryango y'abantu , abakuze n'abato. Muri ico gihe cose, twararonse ibintu bitunezereza cane, ariko n'ibirura ntivyabuze. Kuva dushitse mu Burundi, ibintu vyinshi vyarahindutse, igihugu kiratera imbere, abantu baruguruka mu bwenge n'ubumenyi naho intambwe ikiri ndende kugira ngo inkuru nziza yinjire mu buzima bwa misi yose kandi ng' umuntu nawe aronke iterambere nyakuri.

Ubutumwa bwacu nk'ababikira bakozi bwarateye intambwe nini mu bikorwa, mu gisabisho, ubumisiyonari bw'ababikira b'abarundikazi bahamagariwe n'Imana gusangira natwe iragi rya Muhimbazwa Arkanjelo Tadini. Ukwo kugwirirana kwacu mu mibano y'i Nyamurenza, hanyuma mu Rwegura, i Gitega n'i Bujumbura ni akaranga bwami, icemezo c'uko Imana iguma ihezagira igikorwa cayo.

Iyi myaka 40 itwereka kandi ikimenyetso kigaragara c'ubuntu bw'Imana yitwararika abayo, ikuzura umutima w'abavukanyi baundi n'abataliyano.
Ababikira bakozi mu Burundi ni urumuri rutazima, aho ukubaho kwacu ari ugusabikanya, gushigikirana, kuremesha, isase ry'umwizero werekana na ntaryo inzira y'amahoro, ukurekuriranira n'umwumvikano. Tadini ni we imbere yo kwigira yaturaze avuga ati : « Ndabitezeko igitangaro kinini : urukundo muzogiriranira ».

Yezu nawe ati *: « Ico cose mwagiriye umwe muri abo batobato tuvukana, ni je mwakigiriye »* Mat.25, 37-40
Urwo rukundo ni rwo rutugira Ekleziya. Yezu nawe ni we rukiza rwacu kandi muri we ni ho gusa dusanga Amahoro mazima, urukundo nyarwo, akanyamuneza kuzuye.